**REPUBLIQUE DU BURUNDI**

PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE
**Secrétariat Général de l'Etat**

# ITANGAZO RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI N°18 YO KU WA KANE IGENEKEREZO RYA 20 GITUGUTU 2022

Inama y'Abashikiranganji yakoranye kuri uyu wa Kane igenekerezo rya 20 Gitugutu 2022, i Bujumbura, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama, yaciye aha umwanya Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji, yarongoye kw'igenekerezo rya 14 Gitugutu 2022, ivyihwejwe navyo bikaba ari ivyari ku rutonde rw'ivyigwa.

Umushikiranganji wa Mbere ahejeje gushikiriza icegeranyo Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, ivyihwejwe ni ibi bikurikira:

1. **Indinganizo y'ibikorwa Reta izorangura mu mwaka w'2022 ushira uwa 2023,** yashikirijwe n'Ibiro vy'Umukuru w'Igihugu.

Mu ntumbero yo gutegekanya ibizorangurwa ku mwaka hisunzwe ingene amahera igihugu gikoresha ategekanywa, ivyo navyo ubu bikaba bitangurana n'igenekerezo rya 01 Mukakaro bigaherana n'igenekerezo rya 30 Ruheshi ry'umwaka ukurukira, hisunzwe kandi intunganyo nshasha y'ingene amahera Reta ikoresha ategakanywa aho amahera ategerezwa kugira igikorwa bijanye, harateguwe indinganizo y'ibikorwa Reta izorangura mu mwaka w'2022 ushira uwa 2023 be n'uburyo bukenewe, n'ivyoba vyashitsweko mu kiringo c'amezi atatu.

Iyi ndinganizo yegeranya ivyategekanijwe kurangurwa bikuru bikuru biza imbere y'ibindi mu bushikiranganji butandukanye mu mwaka w'2022 ushira uwa 2023.

Ibikorwa biri muri iyo ndinganizo ni ibiraba igihugu cose, bikaza bishira mu ngiro imigambi yategekanijwe mu bisata bitandukanye vy'igihugu, mu bushikiranganji, bikisunga igitabo ntunganyamigambi c'isi yose (Objectifs de Développement Durable), ibiri muri rya shusho ry'Uburundi ryo mu mwaka w'2025 (Vision 2025), be n'Igitabu ntunganyamigambi c'igihugu (Plan National de Développement). Irafatira kandi no kuri wa mugambi w'igihugu wo gukingira ibidukikije, « EWE BURUNDI URAMBAYE ».

Iyi ndinganizo irerekana amahangiro makuru makuru, ibikorwa nyezina bizorangurwa, ico ivyo bikorwa bizovyara, ivyo bazosuzumirako ko vyakozwe, ikiringo bizorangurwamwo, uburyo bisaba be n'iyo buzova.

Iyi ndinganizo irimwo rero ivyo Ubushikiranganji bumwe bumwe bwose bwiyemeje kurangura.

Iyi ndinganizo y'ibikorwa Reta izorangura itegerezwa kuzana inyishu ziboneka ku bibazo vy'abenegihugu, kandi nivyo bizofatitirwako mu kurimbura ivyo Ubushikiranganji bumwe bumwe bwose buzoba bwakoze.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo ndinganizo y'ibizorangurwa, **yarayemeje**, ica ishikiriza ibi bikurikira :

- Kwumvisha abo vyega bose ico indinganizo y'ibikorwa Reta izorangura ipfana n'uburyo bufatira ku bikorwa bizorangurwa, kugira abantu bose bavyumve kumwe ;
- Gushira imbere ibikorwa biboneka ku kibuga kandi bigira ico vyunguye abenegihugu;
- Ubushikiranganji bw'ikigega ca Reta bwogerageza kunyarutsa gutanga uburyo bugenewe ibikorwa mu mwanya wategekanijwe;
- Kwerekana neza uburyo bwose bukenewe ku bikorwa bitegekanijwe kurangurwa, be n'iyo buzova ;
- Kuraba ko ivyisungwa mu gutanga amanota ku bushikiranganji bwose ari bimwe;
- Iruhande y'Umugambi w'igihugu w'iterambere, kwisunga ijambo nshikirizamigambi ry'Umukuru w'igihugu mu kuraba ibikorwa vyoshirwa imbere y'ibindi ;
- Harakenewe gusuzumwa aho ishirwa mu ngiro ry'Umugambi w'igihugu w'iterambere n'ijambo nshikirizamigambi ry'Umukuru w'Igihugu bigeze, kugirango hatorwemwo ibikorwa vyihuta kandi vyoza imbere y'ibindi ;
- Guhinyanyura ningoga iyi ndinganizo y'ibikorwa mu gufatira ku vyoshikirizwa n'ubushikiranganji butandukanye mu ntumbero yo kuyitosora ;
- Muri kazoza, ibisata vyo mu Biro vy'Umukuru w'Igihugu bibijejwe vyokwereka abahinga bo mu bushikiranganji intumbero bokurikiza mu gutora ibikorwa bija imbere y'ibindi bifatiye ku vyipfuzo vya Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ;
- Mu myaka izokurikira, gutegura intunganyo y'ibikorwa hakiri kare ;
- Mu gutegura intunganyo zizokurikira, kuraba neza hakiri kare ko zafatiye ku mugambi w'igihugu w'iterambere, n'intunganyo y'igihugu yo gushinga imitahe (Programme d'Investissements Publics).

2. **Integuro y'ibwirizwa risubiramwo ibwirizwa rigenga umwuga w'abashingwamanza,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'ubutungane.

Umwuga w'abashingwamanza ugengwa n'ibwirizwa n°1/014 ryo ku wa 29 Munyonyo 2002. Inyuma y'imyaka igera kuri mirongo ibiri rigiyeho, hari vyinshi vyahindutse bituma ryosubirwamwo.

Nkako, ibihindagurika mw'isi, iterambere ry'ubuhinga, ivyahindutse mu nyigisho za kaminuza, iyinjira ry'Uburundi mu mashirahamwe yo mu karere, igwirirana ry'inzego z'abashingwamanza, n'ibindi, vyose birafise ingaruka kuri uwo mwuga.

Birakenewe rero ko ibwirizwa rigenga uwo mwuga risa n'uko ryataye igihe risubirwamwo, kugirango rijane n'ibihe.

Bikuru bikuru bishasha muri iyi nteguro ni ibi bikurikira :

- Kuroranisha iri bwirizwa n'itunganywa rishasha ry'impapuro z'umutsindo kugirango abafise urupapuro rw'umutsindo rwa « bakaroreya » mu bijanye n'amategeko binjire muri uwo mwuga kuko itegeko rihari ubu ryavuga urupapuro rw'umutsindo rwa « Risanse » mu bijanye n'amategeko ;
- Gutegekanya inyigisho z'ifatiro zijanye n'uwo mwuga imbere y'uko umuntu yemererwa kwimenyereza ;
- Gutegekanya inyigisho zijanye n'uwo mwuga zibandanya zitangwa naho umuntu yoba yaramaze kuwinjiramwo, kugirango ubumenyi bw'abashingwamanza bugume bujana n'ibihe n'ubuhinga bigezweho ;
- Gushiraho igisata mpuzanzego z'abashingwamanza, kugirango gitore inyishu ku bibazo vyovuka hagati y'abashingwamanza bakukira inzego zitandukanye ;
- Kwugururira abashingwamanza bo mw'ishirahamwe ry'ibihugu vyo muri Afrika y'ubuseruko, kubera uruja n'uruza ndengambibe rw'abashingwamanza.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, **yarayemeje**, mu vyashikirijwe hakaba harimwo ibi bikurikira :

- Iruhande yo kutarekurira kwinjira mu rwego rw'abashingwamanza abirukanywe mu buzi bwa Reta, mu gisata c'ubutungane canke mu nzego z'umutekano, kutarekurira abirukanywe mu bisata vya Reta bigengwa n'amategeko yavyo nka OBR, Ibanki y'Igihugu n'ibindi;
- Kwerekana neza indahiro umushingwamanza ashikiriza;
- Gushiramwo n'ayandi mashirahamwe yo mu karere Uburundi burimwo aho kugarukira kury'ibihugu vyo muri Afrika y'Ubuseruko gusa;
- Ku bijanye n'urupapuro rw'umutsindo rusabwa kugirango umuntu yemererwe kwimenyereza mu mwuga w'abashingwamanza, gutomora ko ari urupapuro rw'umutsindo rwa « Bakaroreya » mu bijanye n'amategeko canke urundi bingana

rutanzwe n'ishule kaminuza yemewe n'amategeko mu Burundi, canke urupapuro rw'umutsindo rutangiwe mu mahanga mugabo rwemewe ngaha mu Burundi ;
- Gutomora ikizokorwa k'uwimenyereza iyo ayobewe incuro irenga imwe ikibazo co kuva mu bashingwamanza bo ku rugero rutoyi (petit tableau) aja mu bo ku rugero rwo hejuru (grand tableau);
- Gutomora ko umushikirizamanza yagenywe ngo afashe uwutishoboye kuburana abikora ku buntu kandi ko atoba uwo mu muryango wiwe;
- Kwerekana ibihano bifatirwa umushingwamanza yakoze amakosa ahambaye cane.

3. **Integuro y'ibwirizwa ryemeza amasezerano hagati ya Reta y'Uburundi n'ishirahamwe mpuzamakungu rijejwe iterambere yerekeye uburyo buzofasha mu mugambi wo kworosha urudandazwa mu karere k'ibiyaga binini,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'ubudandaji, gutwara abantu n'ibintu, amahinguriro n'ingenzi.

Umugambi w'igihugu w'iterambere urerekana ivyokorwa kugirango igihugu gitere imbere, ugashimikira ku bisata vyoduza ubutunzi kuruta ibindi.

Nico gituma Reta yiyemeje kuteza imbere igisata co gutwara abantu n'ibintu hakoreshejwe ibiyaga n'ayandi mazi, be no guteza imbere igisata c'ubudandaji.

Mu ntumbero yo gukomeza ico gisata nkenerwa mu guteza imbere ubutunzi bw'igihugu, Uburundi n'abo bafashanya mw'iterambere babwirizwa gushiramwo uburyo bukwiye. Uyu mugambi wo kworosha urudandazwa mu karere k'ibiyaga binini ni imwe mu nyishu z'ico kibazo.

Intumbero yawo ni kworosha ihanahanwa ry'ibidandazwa, cane cane hagati y'abadandaza batobato be n'abakenyezi bakora uwo mwuga, cane cane ku mbibe z'ivyo bihugu.

Uburyo bwose hamwe bugenewe akarere bungana na miliyoni amajana abiri na mirongo itanu (250) z'amadolari y'Abanyamerika, muri ayo Uburundi bukaba buzoronswa imiliyoni mirongo icenda (90). Iyi nteguro ije kugirango ibwirizwa rijanye n'ubwo buryo buzoronswa uburundi ryemezwe.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro, **yarayemeje**, ica isaba kuraba ko impapuro zose ziherekeza ayo masezerano zikwiye.

4. **Integuro y'itegeko rishinga rikongera rigatunganya umugwi ujejwe kwerekana ivyohinduka hisunzwe amanota afatirwako ku rwego mpuzamakungu mu gusuzuma**

**urugero rw'intwaro ibereye mu bijanye na poritique, itunganywa ry'inzego, ubutunzi n'imibano,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'ikigega ca Reta n'itunganywa ry'imigambi y'iterambere**.**

Kuva mu mwaka w'2010, Reta y'Uburundi yaratanguje intunganyo nshasha zijanye n'ivyerekeye imitahe , ubutunzi, imibano n'inzego, kugirango igihugu kigire ishusho ryiza mu makungu. Hari harashinzwe inzego zoza ziraraba ivyokosorwa kugirango amanota aduge ku gihugu muri ivyo bisata.

Ariko Ibwirizwa shingiro rishasha be n'ingene Reta yubatse ubu vyatumye hari ibihinduka, aha twovuga nk'Ibiro vy'Icegera ca Kabiri c'Umukuru w'Igihugu vyasubiriwe n'Ubushikiranganji bwa Mbere.

Nico gituma bikenewe ko amategeko agenga uwo mugwi yoyinduka, ukisunga ingene Reta yubatse ubu ukongera ukaronswa n'inguvu zindi.

Kugirango ibintu bikorwe neza, iyi nteguro itegekanya gushiraho umugwi umwe rudende woza urakebura werekana ivyohinduka hisunzwe amanota afatirwako ku rwego mpuzamakungu mu gusuzuma urugero rw'intwaro ibereye mu bijanye na poritique, itunganywa ry'inzego, ubutunzi n'imibano**,** kugirango amanota aduge ku gihugu.

Uwo mugwi uzoba urongowe n'Umushikiranganji wa Mbere, ukazoba ugizwe n'abashikiranganji cumi n'umwe, abantu batandatu baserukira ibisata bikurikiranira hafi ivyo bibazo kuruta ibindi, n'uwuserukira igisata c'abikorera ivyabo.

Uwo mugwi uzoba ufise Ibiro nyobozi, ukazofashwa n'imigwi y'abahinga.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, **yarayemeje,** ica ishikiriza ibi bikurikira:

- Nta bunyamabanga nshingwabikorwa bw'uwo mugwi bukenewe, kuko uwurongoye Igisata kijejwe ivyigwa vy'iterambere mu Biro vy'Umukuru w'Igihugu niwe azoba umunyamabanga w'uwo mugwi ;
- Muri uwo murwi, igitigiri c'abashikiranganji cogabanywa, hakajamwo abakenewe gusa.

5. **Integuro y'ibwirizwa ryemeza amasezerano y'ubudandaji hagati ya Reta ya Repuburika iharanira Demokarasi ya Kongo na Reta y'Uburundi,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'imigenderanire y'Uburundi n'ayandi makungu no gufashanya mu vy'iterambere.

Uburundi na Repuburika iharanira Demokarasi ya Kongo, vyisunze amasezerano ngenderwako yo gufashanya hagati yavyo yasubiwemwo yatereweko igikumu i Kinshasa kw'igenekerezo rya 02 Nyakanga 2021, be n'ivyavuye mu rugendo Nyenicubahiro Umukuru w'igihugu cacu yagize muri ico gihugu muri Mukakaro 2021, vyafashe ingingo yo gukomeza no guteza imbere imigenderanire mu vy'ubudandaji, hisunzwe ubungane, ugutahurana, no gukomeza ubucuti.

Nico gituma hatewe umukono ku masezerano y'ubudandaji hagati y'ivyo bihugu i Kinshasa kw'igenekerezo rya 29 Ndamukiza 2022, bikaba bikenewe ko yemezwa.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza ayo masezerano, **yarayemeje,** ica ishikiriza ibi bikurikira:

- Gushiraho ingingo mperekeza kugirango aya masezerano ashobore gushirwa mu ngiro neza;
- Kwubaka ikiraro gihuza Uburundi na Repuburika iharanira Demokarasi ya Kongo ku ruzi Rusizi kugirango uruja n'uruza rw'abantu n'ihanahana ry'ibidandazwa vyorohe;
- Gukora ibishoboka kugira ibarabara Uvira-Bukavu ryubakwe, kugirango ihanahana ry'ibidandazwa hagati y'Uburundi na Repuburika iharanira Demokarasi ya Kongo rikomere kuruta;
- Kuraba uburyo bukenewe kugirango Ikigo kijejwe gusuzuma ubuziranenge mu Burundi (BBN) kije ku rwego rw'ibindi bigo bikwije ibisabwa, gurtyo ibihingurirwa mu Burundi bishobore guhiganwa n'ibiva ahandi.

6. **Integuro y'itegeko rishinga Ikigo ca Reta co kwigisha ubuhinga n'imyuga no kwitunganiriza akazi ,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'indero n'ubushakashatsi.

Reta y'Uburundi yarafashe icemezo c'uko umuntu yoba umutahe nkenerwa mw'iterambere ry'ubutunzi n'imibano.

Ariko biraboneka ko inyigisho zitangwa mw'ishule shingiro, irikurikira ishule shingiro n'aya kaminuza ari izo mu mpapuro gusa, kuko ntizishimikira kukwigisha imyuga.

Ntizizana inyishu ku bikenewe mw'iterambere no mu gufasha uwize gusohoka ishule azi umuga.

Nico gituma hari abantu benshi batagira umwuga, babura ico bakora kandi bafise inguvu.
Ikindi naco ni uko iterambere ry'ubuhinga ku murindi munini rituma abo bose batajana n'ibihe ngo bamenye gukoresha ibikoresho bigezweho.

Mu ntumbero yo guhangana n'ico kibazo no gutorera umuti ingorane ziri mu gisata c'indero, Reta irategekanya gushiraho ibigo bijejwe kwigisha ubuhinga n'imyuga no kwitunganiriza akazi**.**

Ivyo bigo birakenewe mw'irangurwa ry'imigambi y'iterambere.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, **yarayemeje**, muvyashikirijwe hakaba harimwo ibi bikurikira :

- Kuronsa ico Kigo ububasha bwo kwemeza ko uwacizemwo yanonosoye ivyigwa no kuronsa abahejeje inyigisho muri ivyo bigo, urupapuro rwemeza ko ari abahinga ku rwego rwo hejuru ( « brevêt de technicien supérieur, mu rurimi rw'igifaransa »;
- Kumenyekanisha ivyo bigo kugirango abipfuza gukurikirana inyigisho zavyo babimenye ;
- Muri ivyo bigo hoza kwiga uwuvyishakiye kuko inyigisho ntizizotangwa ku buntu;
- Kuraba neza ko abigisha bazoba bafise ubumenyi bukwiye butuma abantu bahurumbira izo nyigisho;
- Gushira imbere ibisata bituma uwuhejeje inyigisho aca aronka akazi vuba kuko nivyo bihurumbirwa na benshi ;
- Imbere yo kwubaka ibindi bigo mu gihugu, kubanza kuraba ko ic'i Rusi gikora neza ;
- Gusuzuma ingene ibigo bisanzwe vyigisha imyuga ubu bikora, bishobotse hatangwe iyindi ntumbero;
- Ico kigo corongorwa n'umuyobozi mukuru kubera imirimo ihambaye kizoba kijejwe;
- Ubushikiranganji bw'intwaro yo hagati mu gihugu bwoserukirwa mu rwego nshingwantwaro;
- Kwiyumvira gutunganya uruganda ruhuza amakaminuza yose yemewe mu Burundi kugirango bigire hamwe ikibazo c'ingurane Reta iha abanyeshule bo mu ma kaminuza;
- Gushiraho ku mwaka ku mwaka itegeko nshikiranganji rigenga ingurane Reta ironsa abanyeshule bo makaminuza.

7. **Integuro y'amasezerano asubiramwo ubugira kabiri amasezerano ajanye n'uburyo buronswa Umugambi wo kugwiza umwimbu no kugabanya ubukene mu Burundi (PIPARV-B) mu gushiramwo ingabire y'amadolari y'abanyamerika angana na miliyoni icenda n'ibihumbi amajana icenda na mirongo icenda na bine n'amajana atanu (9 994 500) yatanzwe n'Ikigega cishinze gukingura ibidukikije (Fonds Vert pour**

**le Climat, mu rurimi rw'igifaransa)**, yashikirijwe n'umushikiranganji w'ibidukikije, uburimyi n'ubworozi.

Mu ntumbero yo kurwanya inzara mu buryo burama, guteza imbere ubutunzi no kurwanya ubukene mu benegihugu, Reta y'Uburundi yarashizeho umugambi w'igihugu w'iterambere ukaba uriko urashiwa mu ngiro, nko mu kurondera uburyo bukenewe.

Nico gituma Reta y'Uburundi ibifadikanije n'ikigega mpuzamakungu kijejwe guteza imbere uburimyi FIDA, yashizeho umugambi wo kugwiza umwimbu no kugabanya ubukene mu Burundi (PIPARV-B), amasezerano yerekeye uburyo bwatangujwe akaba yateweko umukono kw'igenekerezo rya 13 Ruhuhuma 2019, akaba yari yerekeye uburyo bungana imiliyoni mirongo ibiri n'indwi n'ibihumbi amajana ane na mirongo umunani n'umunani z'amadolari y'Abanyamerika mu kiringo c'imyaka itandatu (27,488).

Mu nyuma, Ikigega FIDA carongeye gutanga uburyo bugera ku miliyoni icumi (10) z'amadolari y'Abanyamerika, bikaba vyasabwe ko amasererano ya mbere asubirwamwo.

Reta ibifashijwemwo kandi n'Ikigega FIDA, yararonse uburyo bungana miliyoni icenda n'ibihumbi amajana icenda na mirongo icenda na bine n'amajana atanu (9 994 500) z'amadolari y'abanyamerika, yatanzwe n'Ikigega cishinze gukingura ibidukikije (Fonds Vert pour le Climat, mu rurimi rw'igifaransa), yofasha muri uwo mugambi.

Kugirango ikoreshwa ry'ubwo buryo ryorohe, impande zose zumvikanye ko ubwo buryo bwoshirwa mu masezerano Reta y'Uburundi yagiraniye n'Ikigega FIDA kuko ari co kinasanzwe gishigikira cane uwo mugambi. Nico gituma bisabwa ko ayo masezerano asubirwamwo incuro ya kabiri.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro, **yarayemeje**.

8. **Integuro y'ibwirizwa ryemeza amasezerano hagati ya Reta y'Uburundi n'Ishirahamwe mpuzamakungu rijejwe iterambere (IDA) yerekeye uburyo buzofasha mu mugambi wo gushigikira no guteza imbere ubuhinga ngurukanabumenyi mu Burundi**, yashikirijwe n'umushikiranganji wo kumenyesha amakuru, ubuhinga bwa none bwo guhanahana amakuru, n'ibimenyeshamakuru.

Intumbero nyamukuru y'uwu mugambi ni gufasha kugirango ubuhinga ngurukanabumenyi bukwiragire hose mu Burundi, nko mugushiraho ubuhinga bwa interenete bunyaruka, cane cane aho butari bwashike, no gufasha ibisata vya Reta kuronka ubushobozi bwo gutunganiriza abavyitura hakoreshejwe ubwo buhinga ngurukanabumenyi.

Ubwo buryo ni ingabire y'ishirahamwe mpuzamakungu rijejwe iterambere IDA, bukaba bungana na miliyoni mirongo itanu (50) z'amadolari y'abanyamerika.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, **yarayemeje**, ica isaba ko mu vyihuta hojamwo kwegeranya uburyo bwa Reta hakoreshejwe ubuhinga bwa none, no gukora karangamuntu hakoreshejwe ubwo buhinga.

Bigiriwe i Bujumbura, igenekerezo rya 20 Gitugutu 2022

Umunyamabanga Mukuru wa Reta akaba n'umuvugizi wayo

Prosper NTAHORWAMIYE